ADC-IKIBIRI

URUNANI RW'ABAHARANIRA DEMOKARASI N'IHINDUKA MU BURUNDI

Ijambo ry'intangamarara mu kiganiro urunani ADC-IKIBIRI rwagiraniye n'abamenyeshamakuru ku wa ….. Myandagaro 2010 i Bujumbura

Iciyumviro nyamukuru : Gushikiriza Urwandiko rumenyekanisha Urunani ADC-IKIBIRI : Ibiruranga n'imigambi yarwo

Ba Nyakwubahwa Bamenyeshamakuru, Bashingantahe, Bapfasoni,

Turabaramukije !

Mu minsi mikeyi, ikiringo c'amatora yatanguye muri uyu mwaka kigiye kurangira. Muri ico gihe nyene, harabaye ibintu bihambaye na canecane ivuka ry'urunani rwa poritike rwiswe ADC-IKIBIRI. Ikiringo tugezemwo, abanyagihugu benshi mbere n'abagenzi b'Uburundi b'abanyamahanga baribaza ibibazo vyinshi kuri kazoza mu vya poritike k'Uburundi, harimwo na kazoza k'urwo runani ADC-IKIBIRI. Iki kiganiro tugiraniye n'abamenyeshamakuru nta kindi catunganirijwe atari ukugira dushikirize abanyagihugu bose urwandiko rumenyekanisha Urunani ADC-IKIBIRI, rukaba rurimwo intumbero n'imigambi mu vya poritike vy'urwo runani, hamwe n'ingene urunani rubona kazowa k'Igihugu. Muri iri jambo ry'intangamarara, turabashikiriza ibikurubikuru biri muri urw rwandiko. Urwandik rwose ruzoshikirizwa abanyagihugu biciye mu nzira zisanwe, mbere rukaba ruri mu gifaransa no mu kirundi abanyagihugu benshi bumva.

1. Uko ibintu vyifashe muri rusangi

Bukeye haraye habaye amatora y'abajenama ba komine yo ku wa 24 Rusama 2010, imigambwe, ADR-Urunani rw'imvugakuri, CDP, CNDD, FEDS-SANGIRA, FNL, MSD, PARENA, PIT, PPDRR, RADEBU, SAHWANYA-FRODEBU na UPD-ZIGAMIBANGA, yarashize umukono kw'itangazo rusangi, aho yiyamiriza amatora y'ubusuma bukabije n'ihonyagnwa ry'Ibwirizwa rigenga amatora birenze urugero vyatumye umugambi wose w'amatora uta intumbero yawo.

Iyo migambwe imaze kubona ko umugambi wose w'amatora ugeramiwe cane n'inyifato idahesha na gato iteka ubutegetsi buhasanzwe bufadikanije n'umurwi ujejwe kuringaniza amatora mu gihugu cose CENI, yaciye ifata ingingo y'ugushira inguvu zayo hamwe kugira yanke ko ivyo bintu vyobandanya. Iyo migambwe yatanguye kwiyungunganya mu gushinga yubahirije amategeko, urunani ADC-IKIBIRI, aho ishobora kugira urugamba rwa poritike kugira igarukane Uburundi ku nzira nziza ya demokarasi.

Nkako, kw'igenekerezo rya 30 Rusama 2010, iyo migambwe yaciye itangura kugira ibisabwa

n'amategeko ajanye n'ugushinga urunani mu kurungikira Umushikiranganji w'intwaro yo hagati itangazo rivyerekeye kw'igenekerezo rya 7 Ruheshi 2010, nk'uko inging ya 79 y'Ibwirizwa Shingiro n'ingingingo ya 8 y'Ibwirizwa inomero 1/006 ryo ku wa 26 Ruheshi 2003 ryerekeye itunganywa ry'imigambwe ryerekeye itunganywa ry'imigambwe n'ingene ikora hamwe n'ivyerekeye inani z'imigambwe.

Tuboneyeho akaryo ko kumenyesha abanyagihugu bose ko urunani ADC-IKIBIRI rushingiye ku mategeko. Ukwo gushingira ku mategeko gufaiye ku ngingo z'Ibwirizwa shingiro n'Ibwirizwa rigenga imigambwe zimaze kuvugwa na zo zikaba zivuga gutya:

Ingingo ya 79 y'Ibwirizwa shingiro :

« Imigambwe n'inani z'imigambwe bitegerezwa gukora ku buryo mu matora umuntu atora uko ashaka, igaterera agacumu k'ubumwe mu buzima bw'igihugu hadakoreshejwe igikenye ».

Ingingo ya 8 y'Ibwirizwa inomero 1/006 ryo ku wa 26 Ruheshi 2003 ryerekeye itunganywa ry'imigambwe n'ingene ikora n'ivyerekeye inani z'imigambwe :

« Imigambwe irashobora gushinga inani z'imigambwe. Urunani rw'imigambwe ni ukuja hamwe kw'imigambwe ibiri canke irenga mu kugira ikurikirane intumbero imwe canke nyinshi ihuriyeko. Urunani urwo ari rwo rwose ruca rugira itangazo ikopi yaryo ikarungikirwa Umushikiranganji ajejwe intwar yo hagati».

Twotomora kandi ko urunani ADC-IKIBIRI atari isukiranywa ry'imimigambwe. Ni urunani umugambwe wose urugize ugumana akaranga kawo.

2. Intumbero n'imigambi y'urunani ADC-IKIBIRI

Mu ntango, urunani ADC-IKIBIRI rwashize imbere umugambi w'ugukora ku buryo umugambi w'amatora yononywe n'ubusuma bukabije bwagaragaye kuva mw'iyandikwa ry'abazotora, hanyuma mu gihe c'imyiyamamazo no ku munsi w'amatora y'abajenama ba komine, usubirwamwo wose, maze amatora agasubira gutunganywa neza.

Ariko, ibikorwa vya poritike vy'urunani bishika kure kuko ntiyari iyo ntumbero yonyene y'ugusubiramwo itunganywa ry'amatora. Nkako, Urunani ADC-IKIBIRI rwishinze izindi ntumbero nkurunkuru zitegerezwa kurangurwa mu kiringo ca hafi na kirekire harimwo:

1 Kwiyemeza umugambi wa kazoza duhuriyeko, n'ugukorera hamwe ibikorwa bijanye n'imibano na poritike ku neza y'Igihugu cacu kugira Abarundi babe mu mahoro, mu mutekano, mu butungane n'iterambere mu vy'imibano n'ubutunzi;

2 Gushiraho amahuriro ashoboka mu vya poritike kandi ashobora gutuma harangurwa ibikorwa vya poritike n'ivy'ubutunzi vy'ingirakamaro ku gihugu ;

3 Gukingira ibintu vyinshi tumaze gushikako mu vy'imibano na poritike vyavuye mu Masezerano y'amahoro yashizweko umukono mu Burundi;

4 Kugira uruhara ruboneka mu mugambi wo gutsimbataza amahoro mu Burundi.

Ku vyerekeye imigambi ya kazoza, mu kiringo ca mbere, urunani ADC-IKIBIRI rwashatse gutanga intererano

yarwo kugira umugambi w'amatora usubizwe ku ntumbero nziza aho kudushikana k'ugusambuka kw'Uburundi. Ni muri iyo ntumbero, urunani ADC-IKIBIRI rumaze kwiyamiriza ugutirigana kwimonogoje kw'uwo mugambi w'amatora rubicishije mu matangazo n'amakete menshi yashikirijwe Uburundi n'amakungu, rwasavye ayo makungu nyene, ko haba ibiganiro bijanye n'ico kibazo gihambaye.

Mu kiringo ca kabiri, urunani ADC-IKIBIRI rwishinze guhimiriza Abarundi bose ngo bashigikire imigambi myiza rwiyemeje gushikako mu kiringo ca hafi na kirekire.

Urunani ADC-IKIBIRI rero si ishirahamwe rya poritike ryashinzwe kubera gusa ibihe bibi vy'iki gihe bitegerezwa gutorerwa inyishu uko ari kwo kwose. Rurafitiye umugambi ubereye Uburundi mu kiringo ca hafi na kirekire. Naho umurwi ujejwe amatora CENI n'ubutegetsi buhari bwagumye bunana kandi bukaguma bugomba guhatira Abarundi mu matora yatabagajwe agitangura, biragaragara ko Abarundi benshi bipfuza amahoro, amajambere, intwaro ibereye, biciye muri demokarasi nyakuri itihanganira amakosa yimonogoje ubu nk'ubusuma mu matora, ugutoteza, iterabwoba, ukurya ibiturire, ukubuza abanyeporitike uburenganzira bwabo mu vy'igihugu na poritike, ukwisuka mw'itunganywa ry'imigambwe kw'ubutegetsi mu ntumbero y'ugucanishamwo abanyagihugu.

Kubw'ivyo, urunani ADC-IKIBIRI rwiyemeje kuba ishirahamwe rya poritike rikora ibijanye n'ikiringo ca hafi n'ica kure kuri ivyo bintu, ibitari bike bidashobora kugira ico bikozweko canke guhindurwa ku neza y'Abanyagihugu bidaciye mu biringo vya hafi canke birebire.
Urunani ADC-IKIBIRI ruzoshinga imigambi ruhuriyeko, ahahurira imigambi yose y'imigambwe irugize kandi hisunzwe intumbero z'urunani l'ADC-IKIBIRI.

3. Ugusozera

Mu gihugu c'Uburundi hasanzwe hari inyifato z'amacakubiri n'ugukumirana, urunani ADC-IKIBIRI rwiyemeje kugendera ingendo ihuza abantu ifatiye k'ukwubahiriza ivyiyumviro ngenderwako vyo mu Masezerano y'amahoro no mw'Ibwirizwa Shingiro. Ubutegetsi buhari n'umurwi ujejwe amatora CENI barashobora guhatira Igihugu mu ntwaro itahuza bose kandi itemewe n'amategeko biciye mu kuntu baringanije amatora y'ubusuma, ariko Abarundi bazoteba basubira ku ngendo zibereye zishobora kubashikana ku migambi y'iterambere, intwaro ibereye, idakumira kandi ishira imbere ukuja inama n'ingingo nk'uko urunani ADC-IKIBIRI rubisaba. Icipfuzo cacu ni uko ishaka n'ibikorwa vyacu vyotuma Igihugu gisubira ku murongo mwiza ata vyinshi vyononekaye. Kandi kuri ivyo vyose, urunani ADC-IKIBIRI rusavye ko Abarundi bose borushigikira.

Turabashimiye

Kubw'urunani ADC-IKIBIRI

Léonce Ngendakumana

FRODEBU